Mgeba hari n'umwe muri mwebwe igihe asubiye mu rugo rwiwe, akunda ko yohasanga ingamiya zitatu zidoshe zifise amezi

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Mgeba hari n'umwe muri mwebwe igihe asubiye mu rugo rwiwe, akunda ko yohasanga ingamiya zitatu zidoshe zifise amezi". Twaciye twishura duti: "Ego cane ariho!". Intumwa ica ivuga iti: "Burya rero, Aayah zitatu umwe muri mwebwe asomye mw'isengesho ryiwe, zirimwo ivyiza kuri we bisumba kuba afise ingamiya zitatu zidoshe zifise amezi".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora ko gusoma Aayah zitatu mw'isengesho, harimwo impera n'ivyiza kuri we bisumba kure n'iyo umuntu gusanga mu rugo rwiwe hari ingamiya zitatu zidoshe zifise amezi.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/65053